# Uwukemuriye umwemeramana ikibazo mu kumukura mu vyago vyo kw'isi, Imana Allah Izomukemurira ibibazo mu kumukura mu vyago vyo ku musi w'izuka

Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Uwukemuriye umwemeramana ikibazo mu kumukura mu vyago vyo kw'isi, Imana Allah Izomukemurira ibibazo mu kumukura mu vyago vyo ku musi w'izuka; uwutezuriye na we uwunaniwe mu kumworohereza mu bimubakiye (ibimugoye), Imana Allah Izomutezurira mu kumworohereza mu bimubakiye (ibimugoye) mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa; uwugumirije akabanga umwislamu, Imana Allah Izomugumiriza akabanga mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa; kandi rero burya Imana Allah ntihengeshanya gufasha umuja wayo mu gihe cose na we aba agishishikara gufasha mwenewabo; uwufashe inzira yo kuja kurondera ubumenyi, Imana Allah Iramworohereza inzira imushikana mu Bwami bw'ijuru; nta bantu bahurira muri imwe mu nzu z'Imana Allah bagaheza bagasoma bakanigishanya Igitabu cayo ca Qor'ani, kiretse ko abo bantu bururukirwa n'ituze, iteka n'itekane, bagahundagazwako impuhwe, bagakikuzwa n'abamalayika, Imana Allah na Yo Ikabahayagiza ku bari iwayo mu baja bayo, burya uwuzingamitswe n'ibikorwa vyiwe akabura ico yimariye, icubahiro c'ubwoko n'inkomoko vyiwe ntibizomushikana ku cubahiro c'aberanda".

[صحيح] [رواه مسلم]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaratomoye ko impera y'umwislamu ku Mana Allah izokwisunga ubwoko bw'ibikorwa yakoze mu kibano ciwe n'abandi bislamu; ku buryo uwutezuriye umwemeramana mu kumukemurira ikibazo akamukura mu kaga n'ikiza mu bimuhanze mu buzima bwo kw'isi, Imana Allah Izomuhera mu kumukemurira ikibazo mu kumukura mu kaga no kumukurako ikiza kizomuhanga ku musi w'izuka. Uwutezuriye uwunaniwe mu kumworohereza mu bimubakiye (ibimugoye), Imana Allah Izomutezurira mu kumworohereza ibimugoye mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa. Uwugumirije akabanga umwislamu; nko kuba yamenye ko yakoze ibidakwiye gushirwa ku mugaragaro mu tunenge n'ibiterasoni maze akamugumiriza akabanga, Imana Allah Izomugumiriza akabanga ku vyo yako, maze ntimutetereze mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa. Ivyo biri ukwo, kuko Imana Allah Yama Yafashije umuja wayo, mu gihe cose na we adahengeshanyije gufasha mwenewabo mu vyerekeye ukwitegurira ubuzima bw'inyuma yo gupfa no mu bijanye n'ubuzima bwo kw'isi. Ugufasha rero, kurashoboka mu gusabira umuntu, mu kumutunganiriza ibikorwa bikenera inguvu z'umubiri no mu kumutera inkunga z'uburyo, n'ibindi bitari ivyo. N'uwugiye kurondera ubumenyi

bw'idini ku bw'Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere, Imana Allah Iraheza Ikamworohereza mu kumucira inzira imushikana mu Bwami bw'ijuru. Nta n'abantu bahurira muri imwe mu nzu z'Imana Allah (imisigiti), bagaheza bagasoma banigishanya Igitabu cayo ca Qor'ani, kiretse ko Imana Allah Ibururukiriza iteka n'itekane, bagaheza bagaturura, Ikabahundagazako impuhwe zayo, bagakikuzwa n'abamalayika, Ikanabahayagiza ku batoni bayo bari iwayo. Birakwiye rero ku muja w'Imana Allah kuba ari icubahiro kidasanzwe kuri we, kuyagwa neza n'Imana Allah ku biremwa vyayo biri mw'ijuru. Uwufise ibikorwa bike bimuzingamitse, ubwoko n'inkomoko vyiwe ntibizomushikana ku cubahiro c'aberanda, ni ngombwa rero ko umuntu atishimira icubahiro c'ubwoko n'inkomoko vy'abavyeyi biwe, bigatuma adebukirwa mu bikorwa.

https://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/4801